**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°21 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 23 RUHESHI 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 23 Ruheshi 2021, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 21 Ruheshi 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Imbere yo gushikiriza ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere, kw'izina rya Reta, yarashimiye Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ko nawe nyene yashimiye Reta nk'urwego nshingwantwaro rw'igihugu, ku bikorwa vyiza kandi vyinshi yaranguye muri uyu mwaka urangiye Reta iri ku kivi. Yaramenyesheje ko Reta itanguye umwaka ugira kabiri n'ingoga nyinshi, kandi izoguma ifise ku muzirikanyi ihangiro ryo kugwiza umwimbu kugirango turwanye ubukene.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi:

1. **Integuro y'itegeko rishinga umugwi mpuzabisata ujejwe gukurikirana umugambi werekeye kwitaho abana bato bato be n'ikibazo c'igwirirana ry'abantu,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida.

Umugambi werekeye kwitaho abana bato bato be n'ikibazo c'igwirirana ry'abantu ni umugambi wa Reta ufashwe mu mugongo n'ibanki y'Isi yose, amasezerano ajanye nawo akaba yateweko umukono n'izo mpande zibiri kw'igenekerezo rya 19 Nyakanga 2020.

Intumbero yawo ni ugufungurira abakenyezi bageze mu myaka yo kwibaruka n'abana batarashikana imyaka ibiri kugirango bakure neza, be n'ibijanye no

kwibaruka ku rugero mu Ntara urangurirwamwo arizo : Bubanza, Cankuzo, Cibitoke, Kirundo, Makamba na Muyinga.

Mu masezerano ajanye n'uwo mugambi, harategekanijwe ingene uzorangurwa nk'ibijanye n'inzego zizowushira mu ngiro, harimwo umugwi mpuzabisata ujejwe kuwukurikirana.

Iyi nteguro ije rero gushira mu ngiro ibitegekanijwe muri ayo masezerano.

Uwo mugwi uzoba ujejwe:

- Gutanga intumbero ku mugwi w'ubuhinga w'uwo mugambi no gufasha kugirango abo wega bose baze barahahana ivyiyumviro,
- Kwihweza no kwemeza indinganizo y'ibikorwa vy'uwo mugambi n'ivyo wisunga,
- Kwihweza ingene uwo mugambi uriko urarangurwa no gukurikirana akarusho uriko urazana hisunzwe ihangiro ryawo,
- Kwerekana ingorane zibonekeza mw'ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi no gufata ingingo nk'umuti w'izo ngorane,
- Gufasha kugirango abo uwo mugambi werekeye bawugiremwo uruhara,
- Kuraba neza ko uwo mugambi wisunga iyindi migambi mikuru mikuru y'igihugu mu bijanye no gufungura neza n'igwirirana ry'abantu.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yashikirije mu kuyunganira hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Iryo tegeko ryoba iry'Umushikiranganji wa Mbere aho kuba itegeko ry'Umukuru w'Igihugu,
- Umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida niwe yorongora uwo mugwi,
- Umushikiranganji ajejwe gushigikirana yojamwo muri uwo mugwi;
- Iyi nteguro yotegekanya umugwi w'abahinga ariko ukazogenwa n'umushikiranganji ajejwe amagara y'abantu.
- Harakwiye kwerekanwa ico umugambi NKURIZA woba umaze gushikako ,

Kabaye akaryo ko kwibutsa ko Reta itegerezwa kugira uruhara nyamukuru muri iyo migambi iba ifashwe mu mugongo n'abafashanya n'Uburundi, kuva mw'itegurwa ryayo, ikanakurikirana ingene iriko ishirwa mu ngiro, no gusuzuma akarusho yazanye mw'iterambere ry'igihugu.

2. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga umushahara w'abigisha b'abasirikare bamaho (permanents) n'agahembo k'abigisha b'abasirikare n'abatari abasirikare ba rimwe na rimwe (non permanents) muri kaminuza y'intwazangabo mu gisirikare,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Ishure kaminuza ry'intwazangabo rifise imigwi ibiri y'abigisha, ni ukuvuga abasanzwe ariwo murimo wabo wa minsi yose muri iyo Kaminuza, n'abigisha b'abasirikare canke atari abasirikare baza gutanga ivyigwa bavuye ahandi.

Itegeko n°100/170 ryo ku wa 22 Munyonyo 2018 risubiramwo itunganywa ry'iryo shule, mu ngingo yaryo ya 44, rivuga ko abigisha b'abasirikare basanzwe ariwo murimo wabo wa minsi yose baronswa umushahara ushingwa n'itegeko ryega abo nyene.

Iyo ngingo ya 44 ivuga kandi ko abigisha baza gutanga ivyigwa bava ahandi baronswa agahembo n'akandi gashirukabute ku bikorwa vy'abanyeshule baheraheza amashule baba bakurikiranye, bishingwa n'itegeko ry'umushikiranganji wo kwivuna abansi n'uw'ikigega ca Reta, babishikirijwe n'umukuru w'ibiro bikuru vy'igisirikare.

Kuva iryo tegeko rishinzwe, nta ngingo zo kurishira mu ngiro zigeze zijaho.

Iyi nteguro y'itegeko nshikiranganji ije rero gushira mu ngiro iryo tegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

Mu guhanahana ivyiyumviro kuri iyi nteguro, mu vyashikirijwe harimwo ibi bikurikira:

- Ni kuraba icisungwa ubu mu guhemba abigisha muri kaminuza y'intwazangabo mu gisirikare;
- Imishahara n'utundi turusho muri kaminuza y'intwazangabo mu gisirikare ntivyoza birengera ibitangwa mu ma kaminuza ya Reta,
- Biragoye kubangikanya amategeko abiri mu guhemba abigisha muri kaminuza y'intwazangabo mu gisirikare ni ukuvuga irigenga intwazangabo mu gisirikare n'irigenga abigisha muri kaminuza za Reta,
- Abigisha b'abasirikare bari bakwiye kuguma bagengwa n'amategeko y'igisirikare bagahemberwa ipete bafise, hanyuma bakongerwa uturusho,
- Hari ibikorwa bidakwiye kuronkerwa utundi turusho kuko biri mu kazi ka misi yose umwigisha asanzwe ahemberwa, nk'ibijanye no gukurikiranira hafi abanyeshule ,
- Harakwiye kwerekanwa ingene abigisha atari abasirikare ariko bakora umwanya wose muri kaminuza y'intwazangabo mu gisirikare bahembwa,
- Uturusho tujanye n'ubumenyi buvuye ku nyigisho nkarishabwenge twotangwa iyo ari umukoresha yarungitse umuntu gukarisha ubwenge.

3. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga ingene amahera arihwa mu mavuriro yakira abanyeshule bo mw'ishule ry'igisirikare ryigisha ivy'ubuvuzi bimenyereza be n'abababakurikiranira hafi,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Igisirikare c'Uburundi kirafise ishure ryigisha ivy'ubuvuzi ryashinzwe n'itegeko nshikiranganji n°520/1860 ryo ku wa 27 Munyonyo 2014.

Iryo shure rirazwi n'ubushikiranganji bujejwe amagara y'abantu. Rikurikiza amategeko agenga amashule yisumbuye yigisha ivy'ubuvuzi be n'ibindi vyose bisabwa n'amategeko.

Abanyeshure b'iryo shure bimenyerereza mu mavuriro bagakurikiranwa nk'abandi banyeshure bose bo mu mashure yigisha ivy'ubuvuzi. Ayo mavuriro bimenyerererezako n'abakozi bayo bababakurikirana bararonka agahembo biciye mu buryo busanzwe bwo kumenyesha amahera iryo shure ribafitiye.

Ariko muri iki gihe, kubera umwitwarariko wo gukoresha neza amahera ya Reta, itangwa ry'ayo mahera ritegerezwa kuba ritegekanijwe n'itegeko.

Ivyo vyatumye itangwa ry'ayo mahera riba rirabangira mu kurindira ko iryo tegeko rijaho, ivyo navyo bikaba bituma iryo shure ridasubira kubandanya rikora neza nk'uko ryahora.

Iyi nteguro ije rero mu ntumbero yo gushiraho iryo tegeko ryari ribuze, kugirango ayo mahera aze aratangwa hisunzwe amategeko, n'ishure risubire gukora neza.

Mu vyiyumviro inama nshikiranganji yahanahanye kuri iyi nteguro, harimwo ibi bikurikira:

- Ni kuraba icahora cisungwa mu gutanga amafaranga ajanye no gukurikiranira hafi abanyeshure,
- Amahera arihwa ibitaro abanyeshure bimenyerererezako yategerezwa gufatira ku gitigiri c'abimenyereza,
- Nta mahera akwiye kurihwa abakurikirana abanyeshure bimenyereza, ahubwo yorihwa ibitaro;
- Nta birarane bizorihwa kuko amahera yahora atangwa ata mategeko yari ahari yisunga.

4. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga impembo y'abigisha atari abasirikare n'abagize umurwi ufata ingingo ya nyuma ku banyeshure baheza mw'ishure ry'igisirikare ryigisha imyuga,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Ishure ry'igisirikare ryigisha imyuga ryemewe n'itegeko n°570/2108 ryo ku wa 21 Munyonyo 2016 ry'umushikiranganji ajejwe abakozi ba Reta n'akazi, rikaba rero ritegerezwa kwisunga ibisabwa n'amategeko agenga inyigisho z'imyuga.

Iryo shure ryikora ku bigisha n'abandi bahinga atari abasirikare bakaronka impembo biciye mu buryo bwari buhasanzwe bwo kumenyesha amahera iryo shure ribafifitiye.

Ariko muri iki gihe**,** kubera umwitwarariko wo gukoresha neza amahera ya Reta, itangwa ry'iyo mpembo ritegerezwa kuba ritegekanijwe n'itegeko**.**

Ivyo vyatumye iyo mpembo iba irahagarikwa mu kurindira ko iryo tegeko rijaho, ivyo navyo bikaba bituma iryo shure ridasubira gukora neza nk'uko ryahora**.**

Iyi nteguro ije rero mu ntumbero yo gushiraho iryo tegeko ryari ribize kugirango iyo mpembo ize iratangwa hisunzwe amategeko, n'ishure risubire gukora neza.

Mu mwihwezo w'iyo nteguro, inama nshikiranganji yashikirije ibi bikurikira:

- Impembo iyi nteguro itegekanya ku bigisha atari abasirikare isumba kure n'iyo iy'abakutsakivi bo mu bushikiranganji bw'indero;
- Uwuri mu murwi ufata ingingo ya nyuma ku banyeshule baheza nta mpembo yo kw'isaha ategerezwa guharurirwa kuko bisanzwe biri mu kazi ka misi yose ajejwe kandi ahemberwa.

Inama nshikiraganji yaciye isaba ko izo nteguro uko ari zitatu zosubira guhinyanyurwa hisunzwe ivyiyumviro vyashikirijwe, zikazogarukanwa mu nama nshikiranganji hanyuma**.**

5. **Urwandiko rujanye no gutegekaniriza impanuka ku ngurane zo mu burumyi n'ukugabanya inyungu kuri izo ngurane aha mu Burundi,** rwashikirijwe n'Umushiiraganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Mu ntumbero yo kugwiza umwimbu, Reta y'Uburundi yashize igisata c'uburimyi mu biza imbere y'ibindi mu kuduza iterambere. Ihangiro ni uko umunwa wose woronka ico ufungura, umufuko wose nawo ukaronka amafaranga.

Nico gituma imigambi itari mike yateguwe kandi ikaba iriko irarangurwa, ibiterwa bimwe bimwe biratunganywa neza kuva bigiterwa gushika no mw'ikoreshwa ryavyo.

Iruhande y'ivyo, Reta yarashizeho uburyo butuma abantu bashira imitahe mu burimyi, nko mu gutanga imiliyoni cumi (10) kuri koperative imwe imwe, gutunganya neza iyegeranya n'igurishwa ry'umwimbu , n'ibindi

Mu mwaka w'2020 haravutse ibanki be n'ishirahamwe ritegekaniriza impanuka bishira imbere uburimyi, ivyo navyo bikaba ari akaryo keza ko guteza imbere uburimyi.

Muri uyu mwaka w'amahera Reta ikoresha 2020 ushira uwa 2021, Reta yarategakanije amahera azofasha mu gisata c'uburimyi mu gutegekanya uburyo buzokoreshwa mu kwishinga abarimyi, no mugushiraho Ikigega co gukingira no guteza imbere uburimyi mu gihugu.

Uru rwandiko rwerekana ingene ubwo buryo bwategekanijwe buzokoreshwa mu ntumbero yo gukinga ingaruka ziva kw'ihindagurika ry'ibihe, imirima iterwa n'ingwara canke udukoko. Ivyo bizoheza bikabure abantu bijukire gushira imitahe mu burimyi, amabanki nayo atinyuke gutanga ingurane ku barimyi.

Hari uburyo butatu bushoboka mu guteza imbere igisata c'uburimyi. Nabwo ni ubu bukurikira :

- Gushiraho ikigega cishinga abarimyi,
- Gutegekaniriza impanuka zishobora gushikira imirima canke umwimbu,
- Gushiraho ikigega gifasha kugirango inyungu ku ngurane zitangwa n'amabanki ku barimyi zigabanuke.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino ibishikirizwa n'urwo rwandiko n'akarusho uburyo bumwe bumwe buzana, yaciye ishinga ibi bikurikira :

- Inzira yo kwishinga abarimyi niyo ariyo nyayo,
- Abarimyi bafise kuva kuri hegitare zibiri bokurikiranirwa hafi cane mu kubaha imbuto n'umwavu kw'ideni kuko bashobora kwimbura vyinshi cane,bakariha bagurishije umwimbu ,
- Uburyo bwategekanijwe mu kwishinga abarimyi buzoja mu Kigega cishinga abanyamitahe bato bato « Fonds d'Impulsion, de Garantie et d'Accompagnement » FIGA mu mpfunyapfunyo y'ururimi rw'igifaransa,
- Umurimyi yipfuza gutegekaniriza impanuka ku mirima yiwe yovyikorera we nyene,
- Abantu bokwumvishwa akamaro k'uwu mugambi, be n'ineza yo kurimira hamwe,
- Ibiterwa bindi bimwe bimwe nk'ingano ntivyosigara inyuma mu gushigikirwa n'uwu mugambi,

Umushikiranganji ajejwe uburimyi n'ubworozi n'uwujejwe ikigega ca Reta basabwe kuja hamwe bahinyanyure neza uwu mugambi.

6. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano y'ingabire y'amafaranga n°TF0B5320 yiyongera ku yari yaratanzwe hagati ya Reta y'Uburundi n'Ishirahamwe Mpuzamakungu rijejwe iterambere (IDA) izofasha mu gutunganya neza amashamba no gukingira isi,** yashikirijwe n'Umushikiraganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Umugambi wo gukingira isi ngaha mu Burundi wemejwe mu mwaka w'2018 wahawe uburyo bungana na miliyoni mirongo itatu (30) z'amadolari y'abanyamerika, ukaba ufise intumbero yo kugarukana akanovera k'isi kugirango isubire kwimbuka aho yamaze gutituka.

Uwo mugambi urangurirwa mu makomine abiri ariyo Isale mu Ntara ya Bujumbura na Buhinyuza mu Ntara ya Muyinga, no mu mashamba ya Ruvubu, Kibira na Bururi.

Ayo mahera yiyongera kuyari yaratanzwe angana na miliyonni zitandatu z'amadolari y'Abanyamerika azofasha mu kwagura aho uwo mugambi urangurirwa, kuko uzoca ukorera muri Komine Matongo iri mu Ntara ya Kayanza naho nyene isi iriko iratituka.
Ayo mahera yiyongera ku yari yaratanzwe azofasha mu gutunganya ibikorwa bituma ababa ku nkengera z'ishamba rya Kibira bataryonona, ahubwo barikingire.

Kubera ubwo buryo bwiyongereye, uwo mugambi uzoca wongera ikiringo c'umwaka kuco worangirijeko ibikorwa, kuko uzoca usozera ibikorwa kw'igenekerezo rya 14 Ntwarante 2024 aho kubirangiza kw'igenekerezo rya 14 Ntwarante 2023.

Inama nshikiranganji ihejeje guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje.
Yaciye isaba ko mu migambi nk'iyi intumbero yoba iyo gukingira amazi y'Uburundi akaguma ari meza, hakama hasuzumwa aho umugambi ugeze, be n'ikigeze gukorwa.

7. **Urwandiko rumenyesha itangwa rigira kabiri ry'imboneshakure zikoresha ubuhinga bugezweho mu bigwati ibihumbi cumi (10.000) vyo muri Afrika,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo kumenyesha amakuru, ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru, n'ibimenyeshamakuru.

Uwo mugambi wo gutanga imboneshakure zikoresha ubuhinga bugezweho wavutse mu 2015 mu nama yahuje igihugu c'Ubushinwa n'ibihugu vya Afrika yabereye i Johannesburg muri Afrika y'Epfo. Intumbero ni ugutanga izo mboneshakure mu bigwati ibihumbi icumi (10 000) vyo muri Afrika.

Nico gituma mu Burundi hari imboneshakure amajana atatu (300) zatanzwe.

Imbonshakure amajana tatu (300) ziguma ari nke kandi Abarundi barakeneye gukurikirana amakuru n'ibiganiro ku mboneshakure y'igihugu, kugirango bamenye amakuru n'ibiganiro vyerekeye iterambere.

Ni muri iyo ntumbero Reta y'Uburundi yasavye Reta y'Ubushinwa ko uwo mugambi wotanga izindi mbonseshakure zigera ku majana abiri (200).

Uru rwandiko rumenyesha inama nshikiranganji ingene ico gikorwa kizogenda, kikaba kizoshirwa mu ngiro n'ishirahamwe Startimes Burundi.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri uru rwandiko, yararwemeje, ica isaba ko:

- Hokwigishwa abahinga b'abarundi bakaba aribo boza barakurikirana bongera basanura ivyuma bizoba vyatanzwe,
- Imbonshakure y'igihugu yoguma ibona naho hatoba harishwe amahera yo kugura imihora,
- Abashikiranganji boza bararaba agaciro k'ingabire bakira kw'izina rya Reta, ifise agaciro gato bakarungika uwundi abaserukira,
- Imboneshakure zatanzwe mu gishingo ca mbere zikaba zatwawe aho zatari zigenewe zitegerezwa gusubizwa.

8. **Integuro y'urwandiko rw'umwumvikano hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo rwerekeye umugambi rusangi wo kwubaka ibarabara ry'indarayi Uvinza – Musongati-Gitega -Uvira-Kindu, igice ca Gitega-Bujumbura/Uvira – Kindu,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe gutwara abantu n'ibintu, ubudandaji, amahinguriro n'ingenzi.

Mu ntumbero yo guteza imbere ugutwara abantu n'ibintu hakoreshejwe ibarabara ry'indarayi, Reta y'Uburundi, iya Tanzaniya n'iya Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo zariyumviriye umugambi wo kwubaka iryo barabara Uvinza –Musongati-Gitega/Bujumbura -Uvira-Kindu. Uwo mugambi washitsweko biciye mu rwandiko rw'umwumvikano hagati y'ivyo bihugu bitatu.

Iryo barabara ry'indarayi rizofatana n'irindi risanzwe rihari riva Dar-Es-Salaam gushika Uvinza rizofasha Uburundi n'ibindi bihugu bihana imbibe gushikira ikivuko c'i Dar-Es -Salaam, gurtyo vyorohe kurangura canke gushorera ibidandazwa mu bindi bihugu.

Iyi nteguro y'urwandiko rw'umwumvikano yerekeye igice c'iryo barabara ry'indarayi Gitega-Bujumbura/Uvira –Kindu yateguwe n'abahinga b'Abarundi n'abo muri Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo babifashijwemwo n'Ubunyamabanga nshingwabikorwa bw'umuhora wo hagati.

Intumbero y'uru rwandiko rw'umwumvikano ni ukwerekana ingene ivyo bihugu bibiri bizokorana mu kurangura uwo mugambi.

Ihejeje guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, Inama nshikiranganji yarayemeje, isaba ariko gutomora ko uru urwandiko rw'umwumvikano rwanditswe mu rurimi rw'igifaransa.

Inama nshikiranganji yaciye iboneraho akaryo ko gusaba ko umugambi wo gusanura ikiraro co ku Rusizi gihuza Uburundi na Kongo uva ku Kaburantwa wosubira ukavyurwa.

## 9. Utuntu n'utundi

- Umushikiranganji ajejwe inyubakwa, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro yaramenyesheje inama nshikiranganji ibijanye no kubonesha igice c'ibarabara kiva kuri Chanic gushika ku kibuga c'indege citiriwe Merikiyoro NDADAYE. Yamenyesheje ibijanye no guhindura uburyo bwo kuboneshereza iryo barabara, imaze guca hirya no hino ingaruka z'ingene vyari vyateguwe mu ntango, aho umuyagankuba wa Regideso wari kubangikana n'uwuvuye mu mishwarara y'izuba. Ubu rizoboneshereza n'umuyagankuba wa Regideso wo nyene kandi ibiti canke ivyuma bizoshingwa ku mpande z'ibarabara aho gushingwa hagati na hagati, nk'uko vyari vyateguwe mu ntango.
  Inama nshikiranganji yaciye imusaba gutegura urwandiko runonosoye neza ruzoja ku rutonde rw'ivyigwa n'inama nshikiranganji, kugirango yihweze neza ico kibazo.

- Umushikiranganji ajejwe gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira yarashikirije urwandiko rujanye n'umugambi wo gukura abana mw'ibarabara n'abandi bose bagenda barasegerereza mu bisagara.
  Ubushikiranganji bwihaye ihangiro ryo gukura abo bana mw'ibarabara no gukuraho ivyo gusega mu bisagara, abo bose basubire kuba mu miryango.
  Uru rwandiko rusaba ko abo vyega bose bofasha kugirango iryo hangiro rishikweko.
  Uru rwandiko rurekana ibizokorwa n'inzego zijejwe gukurikirana uwo mugambi.

  Kubera inama nshikiranganji yasanze ico kibazo gihambaye, yaciye isaba uwo mushikiranganji gutegura umugambi nyezina werekeye ico kibazo, ukerekana icabiteye, ingene vyotorerwa umuti, abo vyega n'ico umw'umwe wese yokora, n'uburyo bukenewe.

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yasavye abashikiranganji gukurikiranira hafi ibisata bajejwe, kugirango bame bazi ibiberayo. Yabasavye gufata ingingo zikenewe kuri abo bose bakora ukutariko, ntibarindire ko ababakurira aribo barinda gufata ibintu mu minwe.

  Intwaro ibereye no gukoresha neza amahera ya Reta nivyo bigiye gushirwa imbere muri uyu mwaka ugira kabiri utanguye, Reta igiyeho. Yasavye ko amasezerano yagiyemwo ubusuma cane cane mu bisata vy'ibikorwa vya Reta, ubutare n'amasoko ntanganguvu yosubirwamwo. No mu gisata c'ubutungane haribonekeza abantu benshi barenganywa.

  Yasavye abashikiranganji kwamana ku muzirikanyi ko bakora ku nyungu z'abenegihugu gusa.
  Yabasavye gutunganya neza imigambi mu bushikiranganji bajejwe, kugirango uyu mwaka uzorangire bigaragara ko Reta yashitse kw'ihangiro yihaye ryo kuduza amahera yinjira mu gihugu no kugabanura ayakoreshwa.

  Mu guheraheza, yasavye ko ibirarane vy'amadosiye yategerezwa kurangirana n'uyu mwaka vyorangirana n'ukwezi kwa Mukakaro 2021.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 24 Ruheshi 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE